# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije

# Yesu na Zakayo



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique


Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.






Umusi umwe, Yesu yariko aca i Yeriko. Ico gisagara cari carasambuwe na Yosuwa hari haheze igihe kirekire. Ubu ico gisagara cari casubiye kwubakwa kandi haba abantu beshi. Muri abo bantu harimwo uwitwa Zakayo.


Birashoboka ko abantu b'i yeriko batakunda zakayo kuko yari umutozakori. Zakayo yarungika igice kimwe m'ubutegetsi-ariko yarasigarana n'igice ciwe.
3
Uwo mwuga wari waratungishije zakayo. Inzu yiwe itegerezwa kuba yari yo NINI, kandi YAMBERE NZIZA k'umutumba yabako.
4
Ariko yari mugufi cane-ariko atari mugufi mumvy'amahera ariko yari mugufi mubijanye n'igihagararo. Zakayo ntiyari yarakuze nk'abandi bantu.
5
Zakayo yumvise ko Yesu ari i Yeriko, uwo mutozakori ashaka kubona uwo muntu w'i nazareti yavuga ko ari umwana w'Imana. Ariko hari igugu ry'abantu…abantu baramusumba.
6
Zakayo agira iciyumviro! Kugira ashobore gusumba abo bantu beshi…kwurira kugiti cari kunkombe y'ibarabara, aho aca ashobora kubona Yesu.
7
Yuriye m'umusukomora, abona ishami rimeze neza, aca aryicarako kugira arindire Yesu. Zakayo ashobora kuba yariyumviriye ati: "Aha ndi ahantu heza, ndamubona atan'umwe ambonye."
8











Yesu na Zakayo

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Luka 19

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

14




53

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16